**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°26 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 29 NYAKANGA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 29 Nyakanga 2021, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Imbere yo gushikiriza urutonde rw'ivyigwa, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yarashimye urugendo aherukamwo i New York muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika aho yari yitavye ibikorwa vy'inama ya bose y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, kuko vyagenze neza, aca aboneraho no guhoza abahuye n'ivyago bivuye kw'iterabwoba vyibonekeje muri iyi minsi iheze ngaha mu gihugu, aramenyesha ko bose babiteye ivyatsi no ku rwego mpuzamakungu. Icipfuzo n'uko ababikoze n'ababatumye bomenyekana, bagafatwa, bagahanwa hisunzwe amategeko.

Yarasavye kandi ko ingingo zo kwirinda ca kiza koronavirusi zobandanya zubahirizwa, kuko ntikirahera, naho biboneka ko ibintu biriko bija mu nzira nziza.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 22 Nyakanga 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Imbere y'uko Umushikiranganji wa mbere ashikiriza ivyavuye mu nama nteguza y'inama nshikiranganji yarongoye, nawe nyene yabanje gushimira Imana ko Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yagize urugendo rwiza, agashikiriza n'ijambo mu nama ya bose y'ishirahamwe mpuzamakungu Onu, Abarundi bakurikiranye kandi bashimye cane.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Indinganizo y'ibikorwa Reta izorangura mu mwaka w'2021 ushira uwa 2022,** yashikirijwe n'Ibiro vyUmukuru w'Igihugu.

Mu ntumbero yo gutegekanya ibizorangurwa ku mwaka hisunzwe ingene amahera igihugu gikoresha ategekanywa, ivyo navyo ubu bikaba bitangurana n'igenekerezo rya 01 Mukakaro, hisunzwe kandi itegeko n°100/007 ryo ku wa 28 Ruheshi 2020 ritomora ingene Reta itunganijwe, ingene ikora be n'imirimo yayo, harateguwe indinganizo y'ibikorwa Reta izorangura mu mwaka w'2021 ushira uwa 2022.

Nk'uko indinganizo zindi zari zimeze, iyi nayo nyene yegeranya ivyategekanijwe kurangurwa mu bushikiranganji bunyuranye mu mwaka w'2021 ushira uwa 2022, vyahinyanyuwe hisunzwe ibwirizwa rishinga amahera Reta izokoresha mu mwaka w'2021 ushira uwa 2022.

Ibikorwa biri muri iyo ndinganizo ni ibiraba igihugu cose bikaza bishira mu ngiro imigambi yategekanijwe mu bisata bitandukanye vy'igihugu, Ubushikiranganji, bikisunga igitabo ntunganyamigambi c'isi yose (Objectifs de Développement Durable), ibiri muri rya shusho ry'Uburundi ryo mu mwaka w'2025 (Vision 2025), be n'Igitabu ntunganyamigambi c'igihugu (Plan National de Développement). Ivyo bizorangurwa vyarafatiye kandi ku bitegekanijwe n'umugambi w'Igihugu w'intwaro ibereye no kurwanya igiturire, na wa mugambi wo gukingira ibidukikije, « EWE BURUNDI URAMBAYE ».

Iyi ndinganizo irerekana amahangiro makuru makuru, ibikorwa nyezina bizorangurwa, ico ivyo bikorwa bizovyara, ivyo bazosuzumirako ko vyakozwe, ikiringo bizorangurwamwo, uburyo bisaba be n'iyo buzova.

Iyi ndinganizo irimwo rero ivyo Ubushikiranganji bumwe bumwe bwose bwiyemeje kurangura.

Iyi ndinganizo y'ibikorwa Reta izorangura itegerezwa kuzana inyishu ziboneka ku bibazo vy'abenegihugu, kandi nivyo bizofatitirwako mu kurimbura ivyo Ubushikiranganji bumwe bumwe bwose buzoba bwakoze.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo ndinganizo y'ibikorwa, yarayemeje ica isaba ko ivyo mu gisata c'indero Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasavye ko vyofatirwako vyokwijizwamwo.
Impinyanyuro zindi ubushikiranganji bwashikirije ariko zibagiwe gushirwa muri ico gitabu zoshirwamwo kandi bigakorwa mu maguru masha nko mu minsi itatu bikaba vyakozwe. Ubushikiranganji bwosuzuma kandi ko ibiringo vyo kurangura ibikorwa vyategekanijwe vyanditswe neza.

Ico gitabu c'indinganizo y'ibikorwa coherahezwa ningoga.

Kubera kandi iyi ndinganizo ijana n'ingene amahera Reta ikoresha aba yategekanijwe, muri kazoza igikorwa nk'iki kizotegerezwa kuba carangiye mu kwezi kwa Mukakaro.
Ubushikiranganji bwasabwe gukoranya ababufata mu mugongo mu migambi imw'imwe iburangurirwamwo kugirango barabe ko yisunga ndinganizo.

Indinganizo y'ibikorwa ibwirizwa kwisunga intumbero ya Reta, igatunganywa haboneka iyo igihugu kiriko kiraja, gusuzuma intambwe igezweko bikoroha, ndetse n'ibikorwa bizokurikira bigatekenywa neza. Naho ata buryo bwoba buraboneka bigategekanywa.

2. **Integuro y'itegeko rishinga imirimo y'igisata kijejwe iterambere mu Burundi, ingene gitunganijwe n'ingene gikora,** yashikirijwe n'Ibiro vyUmukuru w'Igihugu.

Mu ntumbero yo gushiraho amategeko meza agenga ivy'imitahe mu Burundi afatiye k'ukugene ibintu bikorwa ku rwego mpuzamakungu, Igitabu c'amategeko agenga ishingwa ry'imitahe mu Burundi carasubiwemwo.

Muri bishasha ico gitabu cashizemwo, hari ishingwa ry'igisata kijejwe iterambere mu Burundi casubiriye Igisata kijejwe guteza imbere ishingwa ry'imitahe, no gusubiramwo ingene urwego nshingwantwaro rwubatse.

Ico gitabu kiragura kandi imirimo y'igisata kijejwe iterambere, ikarenga iyerekeye uguteza imbere ishingwa ry'imitahe ryonyene.

Iyi nteguro ije rero mu ntumbero yo kwisunga ico gitabu c'amategeko gishasha.

Mu bijanye n'ingene ico gisata cubatse, iyi nteguro itegekanya ko corongorwa n'umuyobozi mukuru, kugirango aje ku rwego rumwe n'abajewe ibisata nk'ivyo mu bindi bihugu, agafashwa n'abayobozi bane.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, mu vyashikirijwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Ku bijanye n'uturusho twohabwa abayobozi b'ico gisata, hokwisungwa amategeko asanzwe ahari ;
- Ukwandika amakoperative vyokorwa n'ishirahamwe ANACOOP, ariko rikaza rirashikiriza ibiharuro ico gisata kijejwe iterambere ;
- Hoshingwa igitigiri ntaregwa c'amanama adasanzwe y'urwego nshingwantwaro ;
- Umuyobozi mukuru wa ANACOOP yoja mu rwego nshingwatwaro rw'ico gisata mu kibanza c'uwuserukira abakozi ;

- Ikiringo c’umuyobozi mukuru w’ico gisata cokwongerwa rimwe gusa ;
- Urwego nshingwantaro rwoyoborwa n’uwuserukira abikorera ivyabo;
- Iyi nteguro yokwerekana ivyo umusuzumyi wo muri ico gisata ajejwe ;
- Iyi nteguro yoshiramwo ko bibiri vya bitatu (2/3) vy’abagize urwego nshingwantwaro, abakurira ico gisata bashobora gusaba ko haba inama y’urwo rwego;
- Ntaguha ikiringo ntabanduka uwukurira igisata ku rwego rwo hejuru co kuba yagize ico avuga ku ngingo zafashwe n’urwego nshingwantwaro;
- Abayobozi b’ico gisata bogenwa n’Umukuru w’Igihugu batarinze gukoreshwa ibibazo, kandi ikiringo cabo kikongerwa rimwe gusa.
- Abakozi b’ico gisata botorwa hakoreshejwe ikibazo kandi ntibikenewe kwandikwa ko amasezerano yabo y’akazi amara ikiringo kidatomorwa (durée indéterminée).

3. **Integuro y’ibwirizwa ryemeza amasezerano yo gufashanya mw’irangurwa ry’umugambi wo gukoresha neza amazi mu Burundi hagati ya Reta y’Uburundi na Reta ya Misiri yashizweko umukono kw’igenekerezo rya 24 Ntwarante 2021 i Kayiro mu Misiri**
4. **Integuro y’ibwirizwa ryemeza amasezerano ajanye no kutarihisha visa ku bafise ibitabu vy’inzira vy’iteka, ibidasanzwe, n’ivy’akazi hagati ya Reta y’Uburundi na Reta ya Misiri, yashizweko umukono kw’igenekerezo rya 24 Ntwarante 2021 i Kayiro mu Misiri**

Izo nteguro uko ari zibiri zashikirijwe n’umushikiranganji ajejwe imigenderanire y’Uburundi n’amakungu no gufashanya mw’iterambere.

Kuva kw’igenekerezo rya 23 Ntwarante gushika ku rya 26 Ntwarante 2021, Nyen’icubahiro Umukuru w’Igihugu c’Uburundi yaragize urugendo mu gihugu ca Misiri, ico gihe aya masezerano akaba ariho yashirwako umukono.
**Amasezerano yo gufashanya mw’irangurwa ry’umugambi wo gukoresha neza amazi** aje mu ntumbero y’umugambi w’igihugu ca Misiri wo guteza imbere ibihugu biri mu kiyaya c’uruzi Nil wemejwe n’Igisata ca Misiri kijejwe gufashanya mu vy’iterambere.

Reta y’Uburundi iyemeje, izoba ifashije mu gukomeza ubucuti n’igihugu ca Misiri, no mu gukomeza ugufashanya mu vy’ubuhinga mu vyerekeye amazi, kugirango akoreshwe neza ku nyungu za bose.

**Ku bijanye n’amasezerano yerekeye kutarihisha visa hagati y’ivyo bihugu ku bafise ibitabu vy’inzira vy’iteka, ibidasanzwe, n’ivy’akazi**, Uburundi buyemeje buzoba bufashije mw’ishirwa mu ngiro ry’amasezerano yerekeye uruja n’uruza rw’abantu, n’uburenganzira bwo kuba aha canke hariya ku bava mu bihugu bigize ishirahamwe COMESA, n’amasezerano yo mu mwaka w’1991 ashinga Ishirahamwe ry’ubutunzi ry’ibihugu vyo muri Afrika y’Ubuseruko Uburundi na Misiri bisanzwe birimwo. Uburundi buzoba bufashije kandi mu ruja

n’uruza rw’abavuka muri ivyo bihugu bibiri ku ruhande rumwe, no ku ba ny’Afrika bose, ku rundi ruhande.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri izo nteguro, yarazemeje, ica isaba ko ku bijanye n’amazi, Uburundi bwoshimikira mu kuyaziganya, Igihugu ca Misiri naco kigafasha Uburundi mu kurwanya ubugaragwa.

5. **Integuro y’amasezerano yerekeye guhindura aho ibirabara n°1 Bujumbura-Bugarama rica**, yashikirijwe n’Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikorwa n’ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Iyo nteguro y’amasezerano yisunga amasezerano yerekeye ubutunzi n’ubuhinga yateweko umukono na Reta y’Uburundi na Reta y’Ubushinwa kw’igenekerezo rya 28 Nyakanga 2018.

Iyi nteguro yerekeye iyubakwa ry’ibarabara rifise uburebure bw’ibirometero bitanu n’imetero amajana ane na mirongo itanu n’umunani (5,458 km) , n’ubwaguke bw’imetero indwi (7m) bw’ibarabara, no ku ruhande rumwe rumwe hirya y’ibarabara hafise ubwaguke bw’imetero zibiri na santimetero mirongo ibiri na zitanu (2,25m).
Iryo barabara rizubakwa ku mfashanyo ingana n’amahera yo mu Bushinwa angana n’imiriyoni ijana na mirongo umunani na zitanu n’ibihumbi amajana icenda na mirongo ibiri (185 920 000).

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yarayemeje, ica isaba ko uwo mugambi worangurwa n’ingoga, iryo barabara rigaca aho uwuzotanga uburyo yatoye kuricisha.

6. **Integuro y’itegeko rishikiriza itongo Ishule kaminuza y’i Mwaro,** yashikirijwe n’Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikorwa n’ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Ishule Kaminuza y’i Mwaro yemerewe n’itegeko nshikiranganji n°530/101 ryo ku wa 21 Ruhuhuma 2001, ica yugurura igenekerezo rya 01 Kigarama 2001.
Kugirango iryo shule rishobore gukora neza, ryarasavye itongo mu bushikiranganji bujejwe amatongo kugirango ryubake amazu ryokoreramwo.
Iryo tongo ryararyemerewe kandi riramaze kwubakwamwo.
Ariko kurishikirizwa, bica mw’itegeko ry’Umukuru w’Igihugu nk’uko igitabu c’amategeko agenga amatongo abitegekanya.
Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro ishikirijwe.

Mugihe Inama nshikiranganji yariko yihweza iyo nteguro, mu vyashikirijwe harimwo ibi bikurikira :

- Kaminuza y'i Mwaro yubatswe mu mwaka w'2001, mu mwaka w'2020 hakaba ariho haronderwa impapuro zerekeye iryo tongo, vyumvikana ko ibisabwa mu bijanye no kwubaka bitubahirijwe ;
- Harabaye amakosa ku basavye iryo tongo no mu bisata vya Reta bijejwe ivyo kwubaka ;
- Ni gutegurira inama shikiranganji urwandiko rwerekana ingene iryo tongo ryatanzwe kuva mu 2001, no kwerekana ababifisemwo uruhara ;
- Iyi nteguro ibwirizwa kubanza guca mu mugwi w'igihugu ujejwe amatongo;
- Ni kuraba ibitegekanijwe n'amategeko agenga amatongo no kwubaka, mu gihe amakosa nk'ayo yibonekeje ;
- Amatongo ya Reta ategerezwa gupimwa, akandikwa kugirango amenyekane;
- Itongo ya Reta ritanzwe ngo rirangurirwemwo umugambi rusangi riba ari intizo, nta rupapuro ndangantongo rwategerezwa gutangwa kuko riguma ari irya Reta;
- Ubushikiranganji bujejwe amatongo bufadikanije n'ubujejwe ubutungane bwotegura Umugambi w'igihugu werekeye amatongo,
- Urugero rw'amahera asabwa mw'itunganywa ry'amatongo yo kwubakwamwo rwosubirwamwo;

7. **Urwandiko rwerekeye ingene ishirahamwe Onatel ryifashe n'ingene ryonagurwa,** rwashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe kumenyesha amakuru, ubuhinga bwo guhanahana amakuru n'ibimenyeshamakuru.

Ishirahamwe Onatel ryashinzwe mu mwaka w'1979, Reta yo nyene ikaba ariyo nyen'umutahe.

Iryo shirahamwe rikorera mu mihora itatu, ni ukuvuga umuhora wa telefone isanzwe kuva rikijaho mu 1979, umuhora wa telefone ngendanwa kuva mu 2005, n'umuhora wa interenete kuva mu mwaka w' 2003.

Mu ntango, ishirahamwe Onatel ni ryo ryari ryiharije igisata co gutumatumanako amakuru , ariko mu mwaka w'1997, ico gisata carugururiwe abikorera ivyabo. Kuva ico gihe, ishirahamwe Onatel rihiganwa n'abandi mu bijanye no gutumatumanako amakuru.

Ishirahamwe Onatel rirafise imitahe n'ubundi butunzi mu ma banki n'ayandi mashirahamwe yo ngaha mu gihugu no hanze y'igihugu, buharurwa mu mafaranga y'amarundi agera ku miliyaridi mirongo ine n'indwi.

Ariko muri iki gihe, ishirahamwe Onatel rirafise ingorane zifatiye ku bijanye n'amategeko, ingene ritunganijwe, ibijanye n'ubuhinga, ingorane zifatiye ku buryo bwo gukoresha, n'izijanye n'imigambi iriko irashira mu ngiro (telefone ngandanwa ONAMOB, be n'umuhora w'ubuhinga bwa none:Réseau Métropolitain à Fibre Optique)
Uru rwandiko rurashikiriza ivyokorwa kugirango Ishirahamwe Onatel rinaguke.

a) Nk'ishirahamwe rya Reta, Onatel itegerezwa kwisunga inkingi zikurikira muri iyi myaka itanu igiye kuza kugirango ritere imbere :
- Guteza imbere umuhora wa telefone isanzwe aho muri uwo muhora umwe hojamwo telefone, interenete, n'imboneshakure, hagashirwaho n'uburyo bw'uko umuntu ashobora kwitaba telefone ari ku metero amajana abiri kure y'aho iri;
- Kubandanya wa muhora w'ubuhinga bwa none (Réseau Métropolitain à Fibre Optique) ugashika mu bisagara vya Ngozi na Gitega;
- Gukora ibishoboka umuhora wa telephone ngendanwa Onamob ugakwira igihugu cose;

b) Kunagura ibijanye n'intwaro n'ibigega, mu gukora hisunzwe ubuhinga bugezweho, no gusubiriza buke buke abakozi bakukuruka hakurikijwe abahinga ishirahamwe Onatel riba rikeneye, kandi imishahara ntitware uburyo bw'umurengera, ivyo bikaba vyoba ku kiringo c'imyaka itatu;
c) Gusubiramwo amasezerano ari hagati ya Reta n'ishirahamwe HUAWEI ku bijanye n'ideni Reta yafashe ryo kunagura umuhora wa telefone ngendanwa (Onamob).

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri uru rwandiko, mu vyashikirijwe harimwo ibi bikurikira:

- Birakenewe kunagura ubuyobozi bw'ishirahamwe Onatel kugirango bushobore gushira mu ngiro ingingo zoba zifashwe mu ntumbero yo kunagura ishirahamwe Onatel;
- Ishirahamwe Onatel ryokwemererwa kurondera abakozi b'abahinga no gukarihiriza ubumenyi abo bishoboka, ariko ata mahera yiyongereye ku yategekanijwe ;
- Birakwiye ko harabwa neza mu bice vy'imitahe canke ayandi matungo ishirahamwe Onatel rifise, ivyo ata kinini bicinjiza bikagurishwa kugirango rishobore kuriha amadeni amw'amwe. Ishirahamwe Onatel rirakwiye kandi kuraba ivyo riheraniwe rikavyishuza;
- Ni kurondera abahinga banonosoye ibijanye no gusuzuma (audit externe) bagasuzuma muri rusangi ingene Ishirahamwe Onatel ryifashe, n'ico korwa kugirango rinaguke. Boca banagirako bagasuzuma ingene ishirahamwe HUAWEI ryakoresheje ideni ryo kunagura Onamob Reta yafashe

- Ni Kuraba ko ideni Reta yafashe ryo kunagura Onamob ritakingiwe (assurance) ;
- Birakenewe ko haronderwa uburyo bwo kunagura umuhora wa telefone isanzwe aho muri uwo muhora umwe hojamwo telefone, interenete, n'imboneshakure ;
- Ibisata vya Reta vyohimirizwa gushorera ishirahamwe Onatel ariko naryo rigasabwa gutanga ibimeze neza ku rugero rw'abikorera ivyabo;
- Amatungo y'ishirahamwe Onatel yoharurwa, hakerekanwa ico aciye, akongera agakoreshwa neza ;
- Amashirahamwe Onatel na BBS ntakwiye kwinjiranamwo. Rimwe ryose ritegerezwa kurangura umurimo rirekuriwe;
- Ubushikiranganji bubijejwe bwofashanya n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa Mbere mu gushiraho urupapuro rw'inzira rwerekana ingene ibi vyasabwe n'Inama nshikiranganji vyoshirwa mu ngiro.

8. **Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano yaramenyesheje ingene umutekano wifashe mu gihugu.
  Yaramenyesheje ko hari ibikorwa vy'iterabwoba vyibonekeje muri iyi minsi ngaha mu gihugu, ariko kandi hakaba n'ubundi bugizi bwa nabi bukorwa bivuye ku matati hagati y'abantu, aha akaba yavuze nk'ivyabaye mu Ruziba no mu Gatumba.
  Yaramenyesheje ko ivyo vyerekana ko hari ibirwanisho bikiri mu gihugu, ko rero bikenewe ko abajejwe intwaro baba hafi y'abenegihugu mu kubahimiriza kubisubiza.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje inama nshikiranganji ko mu rugendo aheruka kugira i New York aho yari yitavye ibikorwa vy'inama ya bose y'ishirahamwe mpuzamakungu Onu, yashoboye kubonana n'ishirahamwe ryipfuza gufasha kugirango Abarundi baronke ikarata karangamuntu ikoze ku buhinga bwa none (carte d'identité biométrique mu rurimi rw'Igifaransa) ku giciro gito cane.

  Kubera bizohuriрana n'itegurwa rya rusansuma izoba mu 2022, yasavye abashikiranganji bajejwe intwaro yo hagati mu gihugu n'ikigega ca Reta kuvugana n'iryo shirahamwe kugirango ivyo bikorwa bikorwe vyunganiranire, kuko biruzuzanya.

  Yaramenyesheje kandi ko hari Ihuriro ku rwego rw'igihugu rijejwe iterambere ry'Uburundi ririko rirategurwa. Hazoshirwaho urubuga ngurukanabumenyi incabwenge z'Abarundi zizoza ziriyandikishako, kugirango hatorwemwo

abashobora gushikiriza ivyiyumviro canke inyishu ku bibazo biri mu Burundi, biterera mw'iterambere ry'igihugu, umwe wese mu vyo afitiyemwo ubuhinga.

Gitega, 30 Nyakanga 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE